Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

April / Ndamukiza 2021 *kirundi*

Ubwo siho umutima wacu Warurumba mu gikiriza!

(Luka 24,32)

Gumya Yezu mu bwato!
Keep Jesus on Board!

Bakunzi ba go4peace,

Kuri we yabaye imisi itoroshe na mba. Mbega urwaruka yari gushobora kwegeranya mu bigishwa bagendanira Yezu rwangana iki? Ariko yarahevye imigambi yiwe yose ya kera araheza akurikira Yezu. Amajambo yiwe yari yamwuguruye amaso, araheza abona kure .Ariko ukwo kunyurwa ntikwaguye neza abakuru b'idini na gatoyi. Yezu yari yabumvishije ko imigirwa y'idini ryabo yari yacitse iyo kwiyerekana gusa. Nico gituma ataco batagize gushika bamwishe. Ivyo babiranguye mu kumubamba ku musaraba nk'umubisha.

Iyo sanamu rero ni yo gagumye mu mutwe wiwe. Yabwirizwa kugira ico avuze. Niko rero guhitana mugenziwe yitwa Kleofasi, bajana mu gacimbiri mu micungararo y'i Yeruzalemu kitwa Emmaus. Yaramuyagiye ivyari ku mutima vyose. Niho rero haduka umuntu batazi agira gatatu. Arababaza rero ivyo bariko barayaga ivyo ari vyo, be n'ivyabaye i Yeruzalumu. Bariko barijijanya imitima, yarahavuye we nyene asobanurira neza vyose abo bagendanyi babiri. None uyo muntu batamenye, yari azi neza ivyo bintu? Hinge rero atangure kubasigurira ibijanye n'umwizero be n'indoto zabo, ibibatera ishavu be n'imyidogo .Uyo muntu rero yarabatega amatwi neza ntu! Niho rero yatangura gusigura atondesha neza ivyari vyashitse. Barumva ko yabatahuye neza, baraheza bategera ibintu gushasha. Nikwo kuza bumva rero akanyamuneza kabarurumbamwo. Baca bashika i Emmaus. Baringinga uyo muntu ngo bagumane. Ubwo nyene hava ku maso nk'utuntu twari tubateye uruhumyi, barakanura neza. Eh! Bwa bundi yari Yezu yabaherekeje - ari kumwe nabo yazutse. Ubwo nyene ntibaba bakimubona. Niho rero baca basubira inyuma ubwo nyene i Yeruzalemu – umutima wabo ururumbamwo akanyamuneza. Iyo nkuru nziza ntibari kuyigumizamwo.

Twari dufise ibintu tubwirizwa guhindura mu rundi rurimi. Imbere yacu hari abanyeshure babiri. Nta shaka twari tukibifitiye kuko twari twavyiriweko umusi wose. Umwe wese yarumva ko umwete wo kubikora watumutse. Turaheza turateka ikawa, turavugana, kugira ngo tugerageze kuguma mu rukundo magiriranire. Turaheza turashishikara. Emwe, biri budukundire, kandi ga neza. Uyo Yezu ataboneka yaraduhaye inguvu, akanyamuneza n'ubwitonzi. Ni ivyukuri, ni ngirakamaro kuba kumwe nawe : **Gumya Yezu mu bwato! – Keep Jesus on board.**

Ku bwa go 4 peace Team Meinolf Wacker